REPUBLIQUE DU BURUNDI

CABINET DU PRESIDENT

LOI N°1/ 05 DU 17 MARS 2025 PORTANT MODIFICATION DE LA LOI N°1/09 DU 13 NOVEMBRE 2020 PORTANT ORGANISATION GENERALE DE L'ADMINISTRATION PUBLIQUE

LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/05 du 16 mars 2023 portant Détermination et Délimitation des Provinces, des Communes, des Zones, des Collines et/ou Quartiers de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/18 du 07 juin 2024 portant Réorganisation de l'Administration Communale ;

Vu la Loi n°1/09 du 17 mars 2005 portant Distinction des Fonctions Politiques des Fonctions Techniques ;

Vu la Loi n°1/11 du 24 novembre 2020 portant Révision du Décret-loi n°1/037 du 07 juillet 1993 portant Révision du Code du Travail ;

Vu la Loi n°1/03 du 08 février 2023 portant Modification de la Loi n°1/28 du 23 août 2006 portant Statut Général des Fonctionnaires ;

Vu la Loi n°1/16 du 07 juin 2024 portant Modification du Décret-loi n°1/24 du 13 juillet 1989 portant Cadre Organique des Administrations Personnalisées de l'Etat ;

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

IBWIRIZWA INOMERO 1/ 05 RYO KU WA 17 NTWARANTE 2025 RIHINDURA IBWIRIZWA INOMERO 1/09 RYO KU WA 13 MUNYONYO 2020 RITUNGANYA INTWARO MU GIHUGU

UMUKURU W'IGIHUGU,

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/05 ryo ku wa 16 Ntwarante 2023 rishinga intara, amakomine, amazone, imitumba/amakaritiye bigize Uburundi rikongera rigashiraho imbibe zavyo ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/18 ryo ku wa 7 Ruheshi 2024 riringaniza bushasha ubutegetsi mw'ikomine ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 17 Ntwarante 2005 ritandukanya imirimo ya poritike n'imirimo isaba ubuhinga n'ubumenyi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/11 ryo ku wa 24 Munyonyo 2020 risubiramwo itegeko bwirizwa inomero 1/037 ryo ku wa 7 Mukakaro 1993 risubiramwo igitabu c'amategeko agenga akazi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/03 ryo ku wa 8 Ruhuhuma 2023 rihindura ibwirizwa inomero 1/28 ryo ku wa 23 Myandagaro 2006 rishinga amategeko agenga abakozi ba Reta ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/16 ryo ku wa 07 Ruheshi 2024 rihindura itegeko bwirizwa inomero 1/24 ryo ku wa 13 Mukakaro 1989 rishinga amategeko agenga ibisata vya Reta vyitunganiriza intwaro n'ikigega ;

Vu la Loi n°1/17 du 07 juin 2024 portant Modification du Décret-loi n°1/023 du 26 juillet 1988 portant Cadre Organique des Etablissements Publics ;

Revu la Loi n°1/09 du 13 novembre 2020 portant Modification de la Loi n°1/08 du 28 avril 2011 portant Organisation Générale de l'Administration Publique ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

L'Assemblée Nationale et le Sénat ayant adopté ;

PROMULGUE :

CHAPITRE I : DES DISPOSITIONS GENERALES

Article 1 :
La présente loi détermine les règles générales de création et d'organisation des services publics ainsi que les critères de leur classification.

Elle définit également les principes régissant le contrôle de l'évolution de leurs structures et de leurs effectifs.

Article 2 :
Les dispositions de la présente loi ne sont pas applicables aux cours et tribunaux, ni aux unités des corps de défense et de sécurité. Toutefois, elles s'appliquent aux administrations centrales qui encadrent leurs activités.

Les principes d'organisation fixés pour les services centraux et déconcentrés ne sont pas applicables aux services de la superstructure gouvernementale.

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/17 ryo ku wa 7 Ruheshi 2024 rihindura itegeko bwirizwa inomero 1/023 ryo ku wa 26 Mukakaro 1988 rishinga amategeko agenga amashirahamwe ya Reta ;

Asubiye kwihweza Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 13 Munyonyo 2020 rihindura Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 28 Ndamukiza 2011 ritunganya intwaro mu gihugu ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

Inama Nshingamateka n'Inama Nkenguzamateka zimaze kuvyemeza ;

ATANGAJE :

IGICE CA I : INGINGO RUSANGI

Ingingo ya 1 :
Iri bwirizwa ritomora amategeko ngenderwako ashinga akongera agatunganya ibisata vya Reta hamwe n'ibifatirwako mu kubishira mu migwi.

Iri bwirizwa riratomora kandi ingingo zigenga isuzuma ry'ingene ivyo bisata vyagiye birahinduka n'igitigiri cavyo.

Ingingo ya 2 :
Ingingo z'iri bwirizwa ntizikurikizwa ku masentare, ku migwi igize inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano. Ariko, zirakurikizwa ku bushikiranganji butandukanye bukurikiranira hafi ibikorwa vyayo.

Ingingo zisungwa mw'itunganywa zashingiwe ibisata vyo mu bushikiranganji n'ivyatijwe ububasha bumwebumwe biri mu gihugu ntizikurikizwa ku bisata vy'urwego nshingwabikorwa vya Reta.

CHAPITRE II : DES SERVICES PUBLICS

Article 3 :
Selon les dispositions de la présente loi, les services publics sont classés comme suit :

1° les services de la superstructure gouvernementale :

a) les services de la Présidence de la République ;

b) les services de la Vice-présidence de la République ;

c) les services de la Primature.

2° les services centraux :

a) les ministères ;

b) les secrétariats permanents ;

c) les coordinations des cabinets ministériels ;

d) les inspections générales ministérielles ;

e) les directions générales ;

f) les inspections techniques ;

g) les directions.

3° les services rattachés ;

4° les administrations personnalisées de l'Etat et les établissements publics ;

5° les services déconcentrés :

a) l'administration provinciale ;

b) les services extérieurs.

6° la commune, la zone, la colline ou le quartier, la sous-colline ou avenue et la cellule ou rue ;

7° les projets publics.

IGICE CA II : IBISATA VYA RETA

Ingingo ya 3 :
Hisunzwe ibitegekanijwe n'iri bwirizwa, ibisata vya Reta biri mu migwi ikurikira :

1° ibisata vy'urwego rukuru rwa Reta, ni ibi bikurikira :

a) ibisata bikukira urwego rw'Umukuru w'igihugu ;

b) ibisata bikukira urwego rw'icegera c'Umukuru w'igihugu ;

c) ibisata bikukira urwego rw'Umushikiranganji wa mbere.

2° ibisata mu bushikiranganji ni ibi bikurikira :

a) ubushikiranganji ;

b) ubunyamabanga ntayegayezwa ;

c) ibiro mpuzabikorwa mu bushikiranganji ;

d) ubugenduzi bukuru mu bushikiranganji ;

e) ubuyobozi bukuru ;

f) ubugenduzi bujejwe ubuhinga ;

g) ubuyobozi.

3° ibisata vyegukira ibindi ;

4° ibisata vya Reta vyitunganiriza intwaro n'ubutunzi n'amashirahamwe ya Reta ;

5° ibisata biri mu gihugu no mu makungu bifise ububasha bw'ivyariho :

a) uburongozi bw'intara ;

b) ubuserukizi mu makungu.

6° ikomine, izone, umutumba canke ikaritiye, agacimbiri canke ibarabara n'inyecumi canke akabarabara ;

7° imigambi ya Reta.

Article 4 :
La création, l'organisation et le fonctionnement des services cités à l'article 3 sont déterminés par un texte spécifique.

Section 1 : Des services de la superstructure gouvernementale

Paragraphe 1 : Des services de la Présidence de la République

Article 5 :
Placés sous l'autorité du Président de la République, les services de la Présidence de la République assurent :

1° la préparation, l'organisation et l'exécution des missions et tâches relevant de la compétence du Président de la République ;

2° l'intendance et l'appui de la logistique du Président de la République ainsi que de l'ensemble des services de la Présidence de la République.

Article 6 :
Les missions, l'organisation et le fonctionnement des services relevant du Président de la République sont fixés par décret, à l'exception de ceux qui ont une gestion à caractère autonome et qui sont créés par une loi.

Paragraphe 2 : Des services de la Vice-présidence de la République

Article 7 :
Placés sous l'autorité du Vice-président de la République, les services de la Vice-présidence de la République assurent :

1° la préparation, l'organisation et l'exécution des missions et tâches relevant de la compétence du Vice-président de la République ;

2° l'intendance et la logistique à la Vice-présidence de la République.

Ingingo ya 4 :
Itegeko ryihariye, riratomora uko ibisata vya Reta biri mu ngingo ya 3, bishingwa, bitunganywa n'ingene bikora.

Agace ka 1 : Ibisata vy'urwego rukuru rwa Reta

Agahimba ka 1 : Ibisata bikukira urwego rw'Umukuru w'igihugu

Ingingo ya 5 :
Ibisata bikukira urwego rw'Umukuru w'igihugu bikora vyisunze amategeko bihabwa na we bikarangura ibikorwa bikurikira :

1° gutegura ibikorwa Umukuru w'igihugu afitiye ububasha, kubitunganya no kubishira mu ngiro ;

2° gutunganya ivyo vyose vya nkenerwa vy'Umukuru w'igihugu no kuronsa ibikenewe ibisata bikukira urwego rw'Umukuru w'igihugu.

Ingingo ya 6 :
Ibikorwa vy'ibisata bikukira urwego rw'Umukuru w'igihugu, ingene bitunganijwe n'ingene bikora bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu, kiretse ibisata vyitunganiriza intwaro n'ubutunzi bishirwaho n'ibwirizwa.

Agahimba ka 2 : Ibisata bikukira urwego rw'icegera c'Umukuru w'igihugu

Ingingo ya 7 :
Ibisata bikukira urwego rw'icegera c'Umukuru w'igihugu bikora vyisunze amategeko bihabwa n'icegera c'Umukuru w'igihugu birangura ibikorwa bikurikira :

1° gutegura ibikorwa icegera c'Umukuru w'igihugu afitiye ububasha, kubitunganya no kubishira mu ngiro ;

2° ugutunganya ivyo vyose vya nkenerwa vy'icegera c'Umukuru w'igihugu.

Article 8 :
Les missions, l'organisation et le fonctionnement des services relevant de la Vice-présidence de la République sont fixés par décret.

Ingingo ya 8 :
Ibikorwa vy'ibisata bikukira urwego rw'icegera c'Umukuru w'igihugu, ingene bitunganijwe n'ingene bikora bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Paragraphe 3 : Des services de la Primature

Agahimba ka 3 : Ibisata bikukira urwego rw'Umushikiranganji wa mbere

Article 9 :
Placés sous l'autorité du Premier Ministre, les services relevant de la Primature assurent :

Ingingo ya 9 :
Ibisata bikukira urwego rw'Umushikiranganji wa mbere bikora vyisunze amategeko bihabwa n'Umushikiranganji wa mbere birangura ibikorwa bikurikira :

1° l'impulsion, la programmation, la coordination, le suivi, le contrôle et l'évaluation de l'action gouvernementale ;

1° guteza imbere ibikorwa vya Reta, gutegura indinganizo zavyo, kubihuza, kubikurikiranira hafi, kubisuzuma no kubirimbura ;

2° l'intendance et la logistique à la Primature.

2° gutunganya ivyo vyose vya nkenerwa vy'Umushikiranganji wa mbere.

Article 10 :
Les missions, l'organisation et le fonctionnement des services relevant de la Primature sont fixés par des décrets spécifiques, à l'exception de ceux qui ont une gestion à caractère autonome et qui sont créés par une loi.

Ingingo ya 10 :
Ibikorwa vy'ibisata bikukira urwego rw'Umushikiranganji wa mbere ingene bitunganijwe n'ingene bikora bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu vyiharije, kiretse ibisata vyitunganiriza intwaro n'ubutunzi na vyo bishingwa n'ibwirizwa.

Section 2 : Des services centraux

Agace ka 2 : Ibisata vyo mu bushikiranganji

Article 11 :
Les services centraux sont des services à compétence unique pour l'ensemble du territoire et placés sous l'autorité directe du ministre.

Ingingo ya 11 :
Ibisata vyo mu bushikiranganji ni ibisata bifise ububasha bumwe mu gihugu cose kandi bikora vyisunze amategeko bihabwa n'umushikiranganji.

Les services centraux assurent, au niveau national, des missions d'impulsion, de conception, d'orientation, de suivi, d'évaluation et de contrôle.

Ibisata vyo mu bushikiranganji bishinzwe, mu gihugu, ibikorwa vyo gukaburira abakozi kurangurana ubwira ivyo bajejwe, kubitegura, kubiha intumbero, kubikurikiranira hafi, kubirimbura no kubisuzuma.

Paragraphe 1 : De la coordination du cabinet ministériel

Article 12 :
Chaque ministère dispose d'une coordination du cabinet chargé d'assister le ministre dans l'accomplissement de ses fonctions politiques et protocolaires.

Article 13 :
La coordination du cabinet est composée d'un assistant du ministre, de conseillers et de secrétaires.

Chaque conseiller et chaque secrétaire doit avoir un cahier de charges bien défini.

Article 14 :
Les missions, l'organisation et le fonctionnement d'une coordination d'un cabinet ministériel sont déterminés par décret.

Paragraphe 2 : Des secrétariats permanents

Article 15 :
Chaque ministère dispose d'au moins un secrétaire permanent, chargé d'assurer la bonne marche quotidienne des activités des différentes directions générales placées sous sa coordination.

Article 16 :
Chaque secrétariat permanent est dirigé par un secrétaire permanent et est composé d'autant de conseillers techniques que de besoin.

Le secrétaire permanent occupe une fonction technique, son changement n'est pas lié au changement du gouvernement.

Le secrétaire permanent et les conseillers techniques sont nommés sur base de leurs compétences, professionnalisme et intégrité morale.

Agahimba ka 1 : Ubuhuzabikorwa mu bushikiranganji

Ingingo ya 12 :
Ubushikiranganji ubwo ari bwo bwose burafise abahuzabikorwa bunganira umushikiranganji mwirangurwa ry'amabanga ajejwe muri poritike, kwakira abantu no guserukira ubushikiranganji.

Ingingo ya 13 :
Ubuhuzabikorwa mu bushikiranganji bugizwe n'umwunganizi w'ubushikiranganji, abahanuzi hamwe n'abanyamabanga.

Umuhanuzi n'umunyamabanga wese ategerezwa kuba afise urutonde rutomoye rw'ivyo ashinzwe.

Ingingo ya 14 :
Ubuhuzabikorwa mu bushikiranganji, ingene butunganije n'ingene bukora, bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Agahimba ka 2 : Ubunyamabanga ntayegayezwa

Ingingo ya 15 :
Ubushikiranganji ubwo ari bwo bwose burafise n'imiburiburi umunyamabanga ntayegayezwa ajejwe guhagarikira no gukurikirana ibikorwa vy'ubuyobozi bukuru bwo mu bushikiranganji vyega.

Ingingo ya 16 :
Ubunyamabanga ntayegayezwa ubwo ari bwo bwose burongorwa n'umunyamabanga ntayegayezwa bukaba bugizwe n'abahanuzi b'abahinga, igitigiri cabo naco kikavana n'ababa bakenewe.

Umunyamabanga ntayegayezwa ajejwe ibikorwa vy'ubuhinga, ntahindurwa ngo ni uko Reta ihindutse.

Umunyamabanga ntayegayezwa n'abahanuzi bo mu bunyamabanga ntayegayezwa bagenwa hisunzwe ubumenyi n'ubushobozi bafise mu mwuga hamwe n'inyifato ibereye.

Article 17 :
Les missions, l'organisation et le fonctionnement d'un secrétariat permanent sont déterminés par décret.

Paragraphe 3 : Des inspections générales ministérielles

Article 18 :
Chaque ministère dispose d'une inspection générale chargée d'une mission de contrôle interne des services placés sous l'autorité ou la tutelle du ministre.

Une inspection générale ministérielle peut également être chargée d'effectuer une mission de contrôle externe dans divers secteurs de la vie nationale en application de la réglementation concernant le domaine d'activité du ministère dont elle relève.

Les inspections générales ministérielles ont un niveau hiérarchique équivalent à celui d'une direction générale. Elles sont placées sous l'autorité directe du ministre.

Les inspections générales sont subdivisées en autant d'inspections techniques que de besoin.

Article 19 :
Les missions, l'organisation et le fonctionnement des inspections générales ministérielles sont déterminés par décret.

Paragraphe 4 : Des directions générales

Article 20 :
Les directions générales sont chargées d'élaborer les éléments de la politique sectorielle du ministère dans leurs domaines respectifs de compétence, de traduire cette politique dans des textes normatifs, de coordonner et de contrôler l'application de cette politique par les services sous leur responsabilité.

Les directions générales assurent en outre le suivi de l'exécution des projets dont elles sont en charge.

Ingingo ya 17 :
Ibikorwa mu bunyamabanga ntayegayezwa, ingene bitunganije n'uko birangurwa bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Agahimba ka 3 : Ubugenduzi bukuru mu bushikiranganji

Ingingo ya 18 :
Ubushikiranganji ubwo ari bwo bwose burafise ubugenduzi bukuru bujejwe gusuzuma ko ibisata bikora vyisunze amategeko bihabwa n'umushikiranganji.

Ubugenduzi bukuru mu bushikiranganji burashobora kandi gushingwa igikorwa co gusuzuma mu bindi bisata vy'ubuzima bw'igihugu ko ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa rihwanye n'ivyo ubwo bugenduzi bujejwe muri ubwo bushikiranganji.

Ubugenduzi bukuru bwo mu bushikiranganji buri ku rugero rumwe n'ubuyobozi bukuru. Ubwo bugenduzi bukora bwisunze amategeko buhabwa n'umushikiranganji.

Ubugenduzi bukuru bugizwe n'ubugenduzi butandukanye bujejwe ivy'ubuhinga. Igitigiri cabwo kivana n'ububa bukenewe.

Ingingo ya 19 :
Ibikorwa vy'ubugenduzi bukuru mu bushikiranganji, uko butunganijwe n'uko bukora bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Agahimba ka 4 : Ubuyobozi bukuru

Ingingo ya 20 :
Ubuyobozi bukuru, bujejwe gutegura poritike y'ubushikiranganji mu gisata bujejwe, gushira mu nteguro z'amategeko iyo poritike, guhuza ibikorwa no gusuzuma ko iyo poritike ishirwa mu ngiro n'ibisata ubwo buyobozi bukuru bujejwe.

Vyongeye, ubuyobozi bukuru burakurikiranira hafi ishirwa mu ngiro ry'imigambi bujejwe.

Article 21 :
En plus des missions et objectifs opérationnels dont elle est particulièrement chargée, chaque direction générale a le devoir d'informer les bénéficiaires des services publics de leurs droits et de leurs devoirs eu égard au domaine d'intervention du service et de clarifier les procédures administratives à suivre dans ces domaines.

Ingingo ya 21 :
Iruhande y'ibikorwa bujejwe n'intumbero bufise, ubuyobozi bukuru ubwo ari bwo bwose butegerezwa kumenyesha ababwitura ivyo bafitiye uburenganzira n'ivyo bategerejwe hafatiwe ku vyo bukora bukongera bugatomora neza ibikurikizwa muri ubwo buyobozi.

Article 22 :
Les directions générales sont créées et organisées par un décret portant missions, organisation et fonctionnement du ministère.

Ingingo ya 22 :
Ubuyobozi bukuru bushingwa bukongera bukaringanizwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu ritomora ibikorwa vy'ubushikiranganji ingene butunganijwe n'uko bubirangura.

Article 23 :
Chaque direction générale est dirigée par un directeur général expérimenté et spécialisé dans le domaine technique de compétences du service qu'il dirige.

Ingingo ya 23 :
Ubuyobozi bukuru ubwo ari bwo bwose butwarwa n'umuyobozi mukuru, afise uburambe, ubumenyi n'ubushobozi mu gisata c'ubuhinga ajejwe.

Article 24 :
Dans le cadre des missions lui assignées, le directeur général est notamment chargé de :

Ingingo ya 24 :
Mu ntumbero y'ukurangura ibikorwa ajejwe, umuyobozi mukuru ashinzwe canecane ibi bikurikira :

1° programmer, impulser, coordonner, suivre et évaluer les activités de la direction générale et des services qui en dépendent hiérarchiquement ou qui y sont rattachés ;

1° gutunganya ibikorwa vy'ubuyobozi bukuru n'ivy'ibisata atwara canke bubikukira, kubiteza imbere, gutegura indinganizo zavyo, kubihuza no kubikurikiranira hafi ;

2° suivre l'exécution des décisions prises par l'autorité hiérarchique dans le domaine des attributions de la direction générale ;

2° gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'ingingo ziba zafashwe n'inzego zimukurira mu bijanye n'ibikorwa ubuyobozi bukuru bujejwe ;

3° assurer, sur le plan technique, les liaisons avec l'environnement extérieur national et international ;

3° kwitwararika, mu bijanye n'ubuhinga, gukorana n'ibindi bisata bitari muri ubwo buyobozi vyo mu gihugu n'ivyo mu makungu ;

4° prendre toutes les décisions pour lesquelles il a reçu délégation de pouvoirs par les textes en vigueur ;

4° gufata ingingo zose z'ugukora ivyo yaherewe ububasha hisunzwe amategeko asanzwe akurikizwa ;

5° établir périodiquement un programme de travail des différentes directions ainsi qu'un rapport de la situation du secteur d'intervention qui relève de la compétence de sa direction générale.

Article 25 :
Une direction générale ne peut être créée que si elle comprend au moins deux directions justifiées par une définition claire de leurs missions.

Les directions peuvent être subdivisées en autant de services que de besoin.

Les services peuvent être subdivisés en autant de cellules que de besoin.

La dénomination de ces différents niveaux de structuration est harmonisée pour l'ensemble de l'administration.

Section 3 : Des services rattachés

Article 26 :
Les services rattachés sont des services publics de l'Etat, techniquement déconcentrés pour assumer des fonctions de gestion ou d'études dans un secteur d'activités particulières et dont le personnel permanent est constitué de fonctionnaires détachés ou des contractuels. Ils sont dotés, en raison de l'exigence et de la technicité de leur mission, d'une organisation structurelle et d'un régime de fonctionnement qui leur sont propres.

Article 27 :
Ces services sont rattachés, selon le cas, directement au ministre, au secrétariat permanent, à une direction générale, à une direction centrale ou à une direction provinciale.

5° kwama ategura indinganizo y'ibikorwa vy'ubuyobozi butandukanye n'icegeranyo c'ingene ibintu vyifashe mu vyo ubuyobozi bukuru bufitiye ububasha.

Ingingo ya 25 :
Ubuyobozi bukuru bushingwa iyo bugizwe n'imiburiburi n'ubuyobozi bubiri bufise ibikorwa biboneka.

Ubuyobozi burashobora kugaburwamwo ibisata vyinshi bivanye n'ibiba bikenewe.

Ibisata bishobora kugaburwamwo imirwi myinshi bivanye n'iyiba ikenewe.

Ivyo bisata n'iyo migwi bihabwa amazina bisunzwe uko bisanzwe bitunganijwe mu gihugu cose.

Agace ka 3 : Ibisata vyegukira ibindi

Ingingo ya 26 :
Ibisata vyegukira ibindi ni ibisata vya Reta, biri mu gihugu vyatijwe ububasha bumwebumwe bivanye n'ubuhinga buhakenewe kugira birangure ibikorwa vyo gutunganya canke vyo kugira ivyirwa mu gisata c'ibikorwa vyihariye bikaba bifise abakozi bavyo bamaho bagizwe n'abakozi ba Reta babaye barahagarika akazi bahoramwo kugira bakore muri ivyo bisata canke abakozi bakorera ku masezerano y'akazi. Bishirwaho, bivanye n'ivyo ibikorwa vyavyo bisaba n'ubuhinga bukenewe, indinganizo yavyo hamwe n'amategeko vyiharije agenga ingene bikora.

Ingingo ya 27 :
Ivyo bisata vyegukira, bivanye n'ivyo bijejwe, umushikiranganji, ubunyamabanga ntayegayezwa, ubuyobozi bukuru, ubuyobozi bwo mu bushikiranganji canke ubuyobozi bukorera mu ntara.

Article 28 :
Les services rattachés directement au cabinet du ministre, au secrétariat permanent, à la direction générale ou à la direction et qui sont individualisés sur le plan budgétaire, sont créés et organisés par décret.

Dans tous les autres cas, ils sont créés ou institués conformément aux textes normatifs qui réglementent le secteur d'activité dans lequel ces services interviennent.

Section 4 : Des administrations personnalisées de l'Etat et des établissements publics

Article 29 :
Une administration personnalisée de l'Etat est un service public déconcentré présentant un caractère technique spécifique, doté d'une personnalité juridique, d'un patrimoine propre et d'une autonomie de gestion administrative et financière dont l'organe responsable est placé sous l'autorité directe et le contrôle hiérarchique d'un ministre.

Article 30 :
Un établissement public est une personne morale de droit public ayant reçu de l'Etat, d'une commune, ou d'un groupe de communes, un patrimoine d'affectation ou des subsides annuels en vue de la gestion d'un service public ou d'une entreprise d'intérêt général dotée de l'autonomie financière et organique. Il est placé sous la tutelle d'un ministre pour les établissements publics nationaux ou celle de la commune pour les établissements publics communaux.

Article 31 :
La création, l'organisation et le fonctionnement des établissements publics et des administrations personnalisées de l'Etat sont déterminés par décret.

Ingingo ya 28 :
Ibisata vyegukira umushikiranganji, ubunyamabanga ntayegayezwa, ubuyobozi bukuru canke ubuyobozi kandi kimwe cose kikaba kironswa co nyene amafaranga gikoresha, bishingwa kandi bigatunganywa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Mu bindi bihe vyose, ivyo bisata bishingwa canke bigashirwaho hisunzwe amategeko abigenga mu vyo birangura.

Agace ka 4 : Ibisata vya Reta vyitunganiriza intwaro n'ubutunzi hamwe n'amashirahamwe ya Reta

Ingingo ya 29 :
Igisata ca Reta citunganiriza ivyerekeye intwaro n'ubutunzi, ni igisata ca Reta catijwe ububasha bumwebumwe gifise ubuhinga cisangije, cisenukira imbere y'amategeko, gifise amatungo yaco kandi citunganiriza intwaro n'ubutunzi. Urwego rukirongoye ruhabwa amategeko rukongera rugakurikiranirwa hafi n'umushikiranganji.

Ingingo ya 30 :
Ishirahamwe rya Reta ni ishirahamwe rigengwa n'amategeko araba ivya Reta. Rihabwa na Reta, ikomine canke umurwi w'amakomine, amatungo arigenerwa canke amafaranga y'imfashanyo atangwa na Reta ku mwaka ku mwaka kugira ritunganye ibikorwa birangurwa ku neza ya bose canke ritunganya ishirahamwe rikora ku nyungu ya bose ryitunganiriza ubutunzi n'inzego. Iryo shirahamwe rikukira umushikiranganji mu gihe ari amashirahamwe yo ku rwego rw'igihugu canke agakukira ikomine mu gihe ari amashirahamwe ya Reta ari ku rwego rw'ikomine.

Ingingo ya 31 :
Ishingwa ry'amashirahamwe ya Reta n'ibisata vya Reta vyitunganiriza intwaro n'ubutunzi, ingene bitunganijwe n'uko bikora bitomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Section 5 : Des services déconcentrés

Article 32 :
Les services déconcentrés sont des services publics de l'Etat, hiérarchiquement subordonnés à l'autorité centrale qui leur a délégué certains pouvoirs.

Paragraphe 1 : De l'administration provinciale

Article 33 :
Le pouvoir exécutif est délégué, au niveau provincial, à un gouverneur de province chargé de diriger et coordonner les services déconcentrés de l'Etat qui exécutent par délégation les missions des ministères sectoriels dans la province.

Sous la coordination du gouverneur de province, les services déconcentrés de l'Etat encadrent les communes dans la mise en œuvre des politiques sectorielles publiques.

Le gouverneur de province exerce, en outre, au premier degré, la tutelle sur les actes de l'administrateur communal.

Article 34 :
L'administration provinciale comprend :

1° un cabinet du gouverneur, coordonné par un chef de cabinet assisté d'une cellule de conseillers ;

2° des directions provinciales coordonnées par les directeurs provinciaux. Les directions provinciales comprennent les services déconcentrés de l'Etat au niveau provincial.

Les missions, l'organisation et le fonctionnement de l'administration provinciale sont fixés par décret.

Agace ka 5 : Ibisata biri mu gihugu no mu makungu bifise ububasha bw'ivyariho

Ingingo ya 32 :
Ibisata vya Reta biri mu gihugu no mu makungu bifise ububasha bw'ivyariho ni ibisata vya Reta, bitwarwa mu bushikiranganji bwabihaye ububasha bumwebumwe.

Agahimba ka 1 : Intwaro mu ntara

Ingingo ya 33 :
Buramatari w'intara ni we aserukira urwego nshingwabikorwa rwa Reta mu ntara, akaba ari we atwara akongera akaba n'umuhuzabikorwa w'ubuzi bwose bwa Reta burangurirwa mu ntara arongoye bukora ibikorwa bishingwa n'ubushikiranganji bikukira.

Bikurikiraniwe hafi na buramatari w'intara, ibisata vya Reta vyatijwe ububasha bumwebumwe biri mu ntara birakurikirana ibikorwa vy'amakomine mw'ishirwa mu ngiro ry'imigambi y'ubushikiranganji bikukira.

Buramatari w'intara arafise kandi ububasha, ku rwego rwa mbere, ku bikorwa birangurwa na musitanteri wa komine.

Ingingo ya 34 :
Intwaro mu ntara igizwe na :

1° ibiro vya buramatari bikurikiranirwa hafi n'umuyobozi mwishikira mu biro vya buramatari afashijwe n'umurwi w'abahanuzi ;

2° ubuyobozi bw'ibisata bitandukanye mu ntara bukurikiranirwa hafi n'abayobozi bivyo bisata. Ubwo buyobozi bugizwe n'ibisata vya Reta vyatijwe ububasha bumwebumwe.

Intwaro mu ntara, ingene itunganijwe n'uko ikora, bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Article 35 :
Les services déconcentrés de l'Etat dans la province ont pour missions de contribuer à l'élaboration et à la mise en œuvre de la politique de l'Etat. Ils sont placés sous l'autorité administrative du gouverneur de province qui les organise, pour l'exercice d'activités des communes, selon les modalités qu'il détermine. Ils sont à la disposition des communes pour la planification de leurs programmes et projets de développement.

Ingingo ya 35 :
Ibisata vya Reta biri mu ntara vyatijwe ububasha bumwebumwe bishinzwe gutanga intererano mu gutegura no mu gushira mu ngiro poritike ya Reta. Ivyo bisata bikurikiranirwa hafi na buramatari ari na we abitunganya, kugira birangure ibikorwa vyo mu makomine, hisunzwe ibikurikizwa bitomorwa na buramatari. Ivyo bisata bishirwa mu makomine kugira bitegure indinganizo y'imigambi y'iterambere ry'ayo makomine.

Article 36 :
Les ministères sectoriels sont représentés au niveau des provinces par des directions provinciales subdivisées en autant de services que de besoin. Ils veillent au redéploiement des cadres et agents dans leurs services déconcentrés provinciaux.

Ingingo ya 36 :
Ubushikiranganji buserukirwa ku rwego rw'intara n'ubuyobozi bwo mu ntara bugizwe n'ibisata bingana n'ibiba bikenewe. Ubwo bushikiranganji burarungika abakozi gukorera mu bisata vyabwo vyo mu ntara vyatijwe ububasha bumwebumwe.

La création, les missions, l'organisation et le fonctionnement des directions provinciales sont déterminés par décret.

Ubuyobozi bwo mu ntara, ibikorwa bujejwe, ingene butungañijwe n'uko bukora bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Paragraphe 2 : Des services extérieurs

Agahimba ka 2 : Ibisata vy'ubuserukizi

Article 37 :
Les services extérieurs sont des services déconcentrés de l'Etat situés à l'extérieur du territoire national. Ils comportent les missions diplomatiques et consulaires du Burundi à l'étranger ainsi que les antennes extérieures de certains services de l'Etat.

Ingingo ya 37 :
Ibisata vy'ubuserukizi ni ibisata vya Reta bikorera mu makungu vyatijwe ububasha bumwebumwe. Bigizwe n'ibiro vy'ibikorwa vy'ubuserukizi bw'igihugu n'ivy'abahagararira inyungu z'Uburundi mu makungu hamwe n'ivy'amashami y'ibisata bimwebimwe vya Reta bikorera mu makungu.

Les antennes à l'étranger de certains services de l'Etat relèvent, sur le plan administratif, de l'autorité qui les a mandatés.

Amashami y'ibisata bimwebimwe vya Reta bikorera mu makungu, mu bijanye n'intwaro, bikukira uburongozi bwayashizeyo.

Section 6 : De la commune, de la zone, de la colline ou du quartier, de la sous-colline ou avenue et de la cellule ou rue

Agace ka 6 : Ivyererekeye ikomine, izone, umutumba canke ikaritiye, agacimbiri canke ibarabara n'inyecumi canke akabarabara

Article 38 :
La commune est une entité administrative décentralisée, dotée de la personnalité juridique, de l'autonomie organique et financière. Elle est subdivisée en zones.

Ingingo ya 38 :
Ikomine ni igisata nshingwantwaro. Yegereye abenegihugu, irihagararira imbere y'amategeko kandi iritunganiriza ivyerekeye intwaro n'ubutunzi. Ikomine igizwe n'amazone.

La zone est une circonscription administrative déconcentrée de la commune, intermédiaire entre celle-ci et la colline ou le quartier placée sous l'autorité d'un délégué de la commune. Elle est subdivisée en collines et/ou quartiers.

Izone ni akarere mu vy'intwaro, kari hagati y'ikomine n'umutumba canke n'ikaritiye karongorwa n'intumwa y'uwuserukira intwaro ya komine. Izone igabuwe mu mitumba canke mu makaritiye.

La colline est une cellule de base de l'administration territoriale en milieu rural. Elle regroupe au moins deux sous-collines géographiques.

Umutumba ni akarere k'intango mu vy'intwaro hagati mu gihugu. Umutumba ugizwe n'imiburiburi n'uducimbiri tubiri.

Le quartier est une communauté géographiquement localisée dans une grande ville, une ville, une banlieue ou une zone rurale, parfois constituée d'une seule rue et des bâtiments qui la bordent.

Ikaritiye ni akarere ko mu gisagara kinini, mu gisagara, mu micungararo y'igisagara canke ahatari mu gisagara, rimwe na rimwe kagizwe n'akabarabara kamwe hamwe n'inyubakwa zigakikije.

La sous-colline ou avenue est une entité administrative constituée par un nombre important de cellules.

Agacimbiri canke ibarabara ni akarere ko mu ntwaro kagizwe n'igitigiri kinini ca nyecumi.

La cellule est une circonscription administrative composée d'un minimum de dix ménages.

Nyecumi ni akarere ko mu ntwaro kagizwe n'imiburiburi n'ingo icumi.

La rue est toute voie aménagée, bordée au moins en partie de maisons dans une agglomération urbaine.

Akabarabara ni akabarabara kose ko mu gisagara gatunganijwe ku buryo haba hari n'imiburiburi inzu zigakikuje.

Article 39 :
La commune est dirigée par un administrateur communal, la zone par un chef de zone, la colline ou quartier par un chef de colline ou de quartier, la sous-colline ou avenue par un chef de sous-colline ou d'avenue et la cellule ou rue par un chef de cellule ou de rue.

Ingingo ya 39 :
Ikomine irongorwa na musitanteri, izone n'umukuru wa zone, umutumba n'umukuru w'umutumba, ikaritiye nayo n'umukuru w'ikaritiye, agacimbiri n'umukuru w'agacimbiri, ibarabara naryo n'umukuru w'ibarabara, nyecumi na yo na nyumbakumi, akabarabara nako kakarongorwa n'umukuru w'akabarabara.

Section 7 : Des projets publics

Agace ka 7: Imigambi ya Reta

Article 40 :
Les projets publics sont des structures à caractère temporaire chargées de la gestion d'un ensemble d'activités pour la réalisation d'un objectif spécifique, à l'aide des moyens humains, financiers et matériels alloués à cet effet pendant une période limitée.

Ingingo ya 40 :
Imigambi ya Reta ni imigambi y'ikiringo gito ifise intumbero y'ugutunganya ibikorwa vyose kugira hashikwe kw'ihangiro ryihariye rishikana kw'ihangiro nyamukuru hakoreshejwe abakozi, amafaranga n'ibikoresho bigenewe ivyo bikorwa mu kiringo kanaka.

Les projets publics sont régis par une réglementation qui leur est propre. Toutefois, l'affectation des fonctionnaires dans ces projets publics doit se faire dans le strict respect des dispositions du code du travail ou du statut général des fonctionnaires.

CHAPITRE III : DU CONTROLE DE L'EVOLUTION DES SERVICES PUBLICS

Section 1 : Du contrôle des services publics

Article 41 :
Les services publics sont répertoriés et immatriculés à partir d'une nomenclature générale, qui constitue le lien entre la gestion des structures, la gestion administrative et financière des effectifs et la gestion budgétaire.

Ils reçoivent un code d'identification qui leur est propre.

Article 42 :
La répartition des compétences entre les membres du gouvernement est faite par un décret qui fixe la structure, le fonctionnement et les missions du gouvernement.

Le décret portant organisation et fonctionnement d'un ministère précise les administrations personnalisées de l'Etat sous son autorité et les établissements publics sous sa tutelle.

Section 2 : Du contrôle des emplois

Article 43 :
L'administration publique burundaise comprend quatre types d'emplois à savoir :

1° les emplois administratifs permanents ;
2° les emplois temporaires ;
3° les emplois publics à caractère politique ;
4° les emplois supérieurs.

Imigambi ya Reta igengwa n'amategeko ayerekeye. Ariko, abakozi ba Reta bahabwa akazi muri iyo migambi hubahirijwe ingingo zo mu gitabu c'amategeko agenga akazi canke izo mu gitabu c'amategeko agenga abakozi ba Reta.

IGICE CA III : GUSUZUMA ITERAMBERE RY'IBISATA VYA RETA

Agace ka 1 : Ugusuzuma ibisata vya Reta

Ingingo ya 41 :
Ibisata vya Reta biratororokanywa bigahabwa inomero zibiranga hafatiwe ku mazina yavyo muri rusangi ari na yo yerekana isano riri hagati y'itunganywa ry'ivyo bisata, itunganywa ry'intwaro n'ubutunzi hamwe n'itunganywa ry'amafaranga ategekanywa gukoreshwa.

Igisata kimwekimwe cose kirahabwa igiharuro kikiranga.

Ingingo ya 42 :
Ububasha bw'umwumwe wese mu bagize Reta butomorwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu riringaniza inzego za Reta, ingene zikora n'ibikorwa vyazo.

Itegeko ry'Umukuru w'igihugu riringaniza ubushikiranganji n'ingene bukora riratomora ibisata vya Reta vyitunganiriza ibijanye n'intwaro n'ubutunzi biri muri ubwo bushikiranganji hamwe n'amashirahamwe ya Reta abukukira.

Agace ka 2 : Isuzumwa ry'ubuzi

Ingingo ya 43 :
Mu Burundi akazi ka Reta kari mu migwi ine ikurikira :

1° ubuzi bw'intwaro bwamaho ;
2° ubuzi bw'igihe gito ;
3° ubuzi bwa Reta bujanye n'amabanga ya poritike ;
4° ubuzi bwo ku rugero rukuru.

Article 44 :
Les recrutements et les affectations dans les emplois administratifs permanents des services centraux et des services déconcentrés se font par référence aux plans des effectifs qui fixent, en terme quantitatif et qualitatif et conformément à la programmation des dépenses et des investissements publics, les emplois nécessaires à la réalisation des objectifs fixés dans les politiques sectorielles.

Ingingo ya 44 :
Ugutanga akazi ku bakozi n'ukubashira mu buzi bw'intwaro bwamaho bwo mu bisata vyo mu bushikiranganji n'ubwo mu bisata vyatijwe ububasha bumwebumwe biri mu gihugu no mu makungu, bigirwa hafatiwe ku ndinganizo zerekeye igitigiri c'abakozi zishinga ibitigiri vy'abakenewe n'ivyo bashoboye kandi hisunzwe integuro y'amafaranga ategekanijwe gukoreshwa n'imigambi ya Reta, ubuzi bukenewe kugira hashikwe ku mahangiro ya poritike ntunganyabikorwa y'ubushikiranganji.

Article 45 :
Aux termes de la présente loi, sont considérés comme étant des emplois administratifs permanents tous les emplois retenus dans le plan des effectifs et devant être occupés, selon les cas, par des personnels fonctionnaires ou contractuels de la fonction publique.

Ingingo ya 45 :
Hisunzwe iri bwirizwa, ubuzi bw'intwaro bwamaho ni ubuzi bwose buri mu ndinganizo zerekeye igitigiri c'abakozi bushobora gukorwa n'abakozi ba Reta bagengwa n'amategeko y'akazi canke abagengwa n'amasezerano y'akazi bivanye n'ubwo ari bwo.

La désignation à ces emplois entraîne l'affectation des intéressés conformément à la réglementation relative à chacune des catégories de ce personnel.

Ukugena abakozi muri ubwo buzi kwisunga amategeko asanzwe akurikizwa ku murwi umwumwe wose w'abo bakozi.

Article 46 :
Les emplois temporaires sont des emplois créés pour l'exécution d'une mission ou de fonctions spécifiques limitées dans le temps ou liées à la mise en œuvre d'un projet. Ils sont occupés par des agents engagés exclusivement par contrat de louage de service.

Ingingo ya 46 :
Ubuzi bw'igihe gito ni ubuzi bushirwaho mu ntumbero yo kurangura igikorwa canke amabanga afise ikiringo amara canke ajanye n'ishirwa mu ngiro ry'umugambi. Ubwo buzi bukorwa n'abakozi bahawe akazi biciye mu masezerano yo gushinga uwundi akazi wari kurangura.

L'affectation à ces emplois se fait, en ce qui concerne les fonctionnaires, conformément à la réglementation statutaire relative à ce personnel.

Abakozi ba Reta bashirwa muri ubwo buzi hisunzwe amategeko ngenderwako abagenga.

Article 47 :
Sont considérés comme des emplois publics à caractère politique, ceux qui sont directement liés à l'exécution d'une fonction étatique de nature politique et reconnus en tant que tels par les textes législatifs et réglementaires en vigueur.

Ingingo ya 47 :
Ubuzi bufatwa nk'ubwa poritike, ni ubwo bwose bujanye n'ukurangura amabanga ya Reta mu vy'intwaro kandi bufatwa uko n'amabwirizwa n'amategeko asanzwe akurikizwa.

La nomination aux emplois à caractère politique entraîne, en ce qui concerne les fonctionnaires, la mise en détachement des intéressés conformément à la réglementation en vigueur en matière de travail.

Article 48 :
Les emplois supérieurs, en raison de leur niveau hiérarchique, sont réservés aux personnels dirigeants appartenant aux grades les plus élevés de la catégorie de direction.

Article 49 :
La nomination aux emplois à caractère politique et aux emplois supérieurs est faite par décret.

Article 50 :
La codification des emplois dans le répertoire des emplois publics se fait à partir d'une classification des professions fixée par décret. Cette codification constitue une référence au niveau et à la spécificité des emplois-types de la fonction publique.

Article 51 :
Dans les limites des plans des effectifs approuvés, la loi des finances fixe, chaque année, les effectifs autorisés.

Article 52 :
Les modalités d'élaboration et les procédures d'approbation des plans des effectifs du personnel sont fixées par décret.

Abakozi ba Reta bagenywe mu mabanga ajanye n'ivya poritike baca baba barahagarika ubuzi bahora bakora nk'uko bitegekanijwe n'amategeko agenga akazi n'abakozi ba Reta.

Ingingo ya 48 :
Ubuzi bwo ku rwego rwo hejuru, bivanye n'urugero buriko, bugenewe abarongora abandi bafise amapete yo hejuru cane mu murwi w'abakozi bo ku rugero rw'abayobozi.

Ingingo ya 49 :
Igenwa ry'abakozi bo mu buzi bujanye n'amabanga ya poritike n'abo mu buzi bo ku rwego rwo hejuru, rishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu.

Ingingo ya 50
Ugushiraho urutonde ndangakazi ku buzi bwa Reta bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu hisunzwe imirwi ubwo buzi burimwo. Urwo rutonde ndangakazi nirwo rugenekereza urugero fatiro rw'ubuzi bwa Reta.

Ingingo ya 51
Hisunzwe indinganizo z'igitigiri c'abakozi bakenewe zemejwe, ibwirizwa rigenga amafaranga Reta ikoresha rirashinga buri mwaka, igitigiri c'abakozi bemerewe guhabwa akazi.

Ingingo ya 52 :
Ingene indinganizo z'ibitigiri vy'abakozi zitegurwa n'ibikurikizwa mu kuzemeza bishingwa n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu

CHAPITRE IV : DES DISPOSITIONS TRANSITOIRES ET FINALES

Article 53 :
Les textes de création et d'organisation des services publics doivent se conformer aux dispositions de la présente loi dans un délai maximum de six mois à compter de la date de son entrée en vigueur.

Article 54 :
Toutes les dispositions antérieures contraires à la présente loi sont abrogées.

Article 55 :
La présente loi entre en vigueur le jour de sa promulgation.

Fait à Gitega, le 17 mars 2025

Evariste NDAYISHIMIYE.-

PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,

VU ET SCELLE DU SCEAU DE LA REPUBLIQUE,

LE MINISTRE DE LA JUSTICE,

Domine BANYANKIMBONA.

IGICE CA IV : INGINGO MFATAKIBANZA N'IZISOZERA

Ingingo ya 53 :
Amategeko ashiraho ibisata vya Reta n'ingene bitunganijwe ategerezwa kwisunga ingingo z'iri bwirizwa mu kiringo kitarenza amezi atandatu giharurwa kuva kw'igenekerezo iri bwirizwa ritanguriyeko gukurikizwa.

Ingingo ya 54 :
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri bwirizwa zirakuweho.

Ingingo ya 55 :
Iri bwirizwa ritangura gushirwa mu ngiro kuva umusi ritangarijweko.

Bigiriwe i Gitega, ku wa 17 Ntwarante 2025

NDAYISHIMIYE Evariste.-

KU BW'UMUKURU W'IGIHUGU,

BIBONYWE KANDI BISHIZWEKO IKIMANGU CA REPUBURIKA,

UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTUNGANE,

BANYANKIMBONA Domine.